# Ugusugutura gusukura mu kanwa, kugashimisha Imana Rurema Allah

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Ugusugutura gusukura mu kanwa, kugashimisha Imana Rurema Allah".

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arigana mu kwerekana ko ukwoza amenyo ukoresheje umujigiti w'igiti "Araki" canke w'ikindi giti, bisukura umwanda hamwe n'akanuko ko mu kanwa; ni nk'uko nya gusugutura, kuri mu bituma Imana Allah Yishimira umuja wayo, kuko umuntu aba yasugutuye ku kwumvira Imana Allah no mu kwubahiriza ibwirizwa ryayo, hamwe n'ukuba ari ikintu cerekana isuku rikundwa n'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/3588